**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE

Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°17 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 21 NDAMUKIZA 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 21 Ndamukiza 2021, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 16 Ndamukiza 2021.

Ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi:

1. **Umugambi w'igihugu wo guteza imbere ubutunzi mu gihe amahoro n'umutekano bitsimbataye mu Burundi,** washikirijwe n'uwaserukiye Ibiro vy'Umukuru w'Igihugu.

Uwo mugambi ni uburyo bumwe bwo gushira mu ngiro Umugambi w'igihugu w'iterambere.
Ihangiro ryawo ni guterera mw'iterambere ry'ubutunzi no gufasha kugirango imibereho y'abenegihugu yisununure muri rusangi.
Ushimikiye ku vyo Reta ishira imbere y'ibindi, navyo bikaba ari ibi :

- Intwaro ibereye ,
- Amagara y'abantu,
- Uburimyi n'ubworozi n'iyindi migambi iteza imbere ubutunzi n'imibano,
- Kuronsa akazi urwaruka mu kugwiza amahinguriro ,
- Kwitaho abakukuruke na ba ntahonikora,
- Amahoro no kunywanisha Abarundi.

Ishirwa mu ngiro ry'uwu mugambi rizoshimikira:

- Mu bikorwa vy'iterambere. Uruhara rw'abenegihugu rutegerezwa kugaragara kugirango batahure ko bibega koko kandi ari ivyabo,
- Mu kwungura ubumenyi n'ubushobozi inzego zegereye abenegihugu,

- Mu gutegekanya ibikorwa abo bose vyega bagishijwe inama,
- Kwumvisha abantu ko basangiye vyose.

Mw'itunganywa ry'ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi, haragetegekanijwe umugwi mpuzabushikiranganji, ukaba ariwo utanga intumbero, ugatunganya ibikorwa ukongera ugasuzuma ko biriko biranarangurwa. Ni nawo ufata ingingo.

Hazoba kandi umurwi w'igihugu uzoba ujejwe gutekegekanya no gutegura imigambi.

Hazoba hariho kandi n'inzego ziwushira mu ngiro ku rwego rw'intaro, urwa Komine n'urwo ku mutumba.

Ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi risaba inguvu za benshi, ni ukuvuga abo muri Reta n'abikorera ivyabo, abarundi baba hanze y'igihugu, be n'amashirahamwe mpuzamakungu.

Mu bijanye n'uburyo uwo mugambi uzokenera, ni ukuronderera hose : muri Reta, mu bikorera ivyabo, mu basanzwe bafashanya n'Uburundi, no kwiyumvira ahandi hose hashoboka, n'ibindi...

Inama nshikiranganji ihejeje guca hirya no hino uwo mugambi, yarawemeje. Muvyo yasavye hakaba harimwo ko ubushikiranganji bwegwa n'inkingi nyamukuru z'uwo mugambi bwoja hamwe kugirango butegure indinganizo y'ingene ibikorwa bizorangurwa mw'ishirwa mu ngiro ryawo.
Kugirango abenegihugu batahure uwo mugambi kandi biborohere kuwugira uwabo, Inama nshikiranganji yasavye ko wohindurwa mu Kirundi.

2. **Imigambi Reta izorangura mu kiringo co kuva mu mwaka w'2021 gushika mu mwaka w'2024**, yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Rera no gutunganya imigambi y'iterambere.

Uburundi bwarashizeho Umugambi w'igihugu wiyaguye w'iterambere wo kuva mu 2018 gushika mu 2027, be n'indinganizo y'ibikorwa biza imbere y'ibindi kuva mu mwaka w'2018 gushika mu mwaka w'2022.

Ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi risaba utwigoro two mu bisata binyuranye, be n'intererano y'abasanzwe bafashanya n'Uburundi mu bijanye n'iterambere.

Mu vyo Ubushikiranganji bujejwe gutunganya imigambi y'iterambere buhamagarirwa, harimwo gutegura imigambi Reta itegekanya kurangura, nayo ikaba ikomoka mu ntumbero ziri muri wa mugambi wagutse w'iterambere.

Imigambi Reta izorangura mu kiringo co kuva mu mwaka w'2021 gushika mu mwaka w'2024 yateguwe hisunzwe urya mugambi wagutse w'iterambere ry'igihugu, kandi ikaba ishimikira ku bisata aho kwibanda ku bushikiranganji. Kanatsinda naho ubushikiranganji buhindura amazina, ibisata Umugambi w'igihugu w'iterambere uhagazeko vyo bigumaho.

Kubera ishaka rya Reta ryo gushira imbere imigambi igirira akamaro benshi, iyashizwe imbere muri iki kiringo co kuva mu mwaka w'2021 gushika mu mwaka w'2024 ni iyiriko irigwa canke iriko irategurwa. Ni kugirango hame hari imigambi ishikirizwa abipfuza gufashanya n'Uburundi.

Mu mwaka wa mbere w'irangurwa ry'iyi migambi, hazoshirwa imbere:

- Imigambi itegekanijwe muri wa mugambi mukuru w'igihugu w'iterambere, kandi ivyigwa vyerekana ingene yorangurwa bisanzwe vyaraheze ;
- Imigambi isanzwe ifise amasezerano yateweko imikono kandi ihuye n'ivyo Reta ishira imbere ;
- Imigambi imaze imyaka irenga itanu yarateguwe ariko hasuzumwe ko bikwiye ko yogumamwo ;
- Imigambi isanzwe ifise amafishi kandi yizwe neza.

Imigambi Reta izorangura mu kiringo co kuva mu mwaka w'2021 gushika mu mwaka w'2024 izotwara uburyo bungana na miliyaridi ibihumbi bibiri n'amajana umunani na mirongo itandatu n'icenda (2.869).

Mu gihe Inama nshikiranganji yariko irahanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, mu vyo yashikirije harimwo ibi :

- Igisata kijejwe gutegura imigambi mu bushikiranganji bw'ikigega ca Reta, kirakwiye gukomezwa kugirango naco kize kiranagura ubumenyi bw'abakozi bo mu bushikiranganji bundi bajejwe gutunganya imigambi ;
- Ibisata bijejwe gutegura imigambi mu bushikiranganji, birakwiye kugira abakozi bakwiye kandi ntibaze barimurirwa ahandi kugirango bame bakurikirana ku munsi ku munsi ingene imigambi iriko irategerwa. Ico gisata cokukira ibiro vy'umushikiranganji ;
- Harakwiye gusuzumwa neza ko imigambi yashikirijwe n'ubushikirangji bunyuranye, yashizwe muri iki gitabu ; hamwe yoba ikwiza ibisabwa ;
- Hokwerekanwa ivyaranguwe biboneka mu migambi yari yategekanijwe mu kiringo c'umwaka w'2019 gushika mu mwaka w'2020 ;
- Ubushikiranganji bwose burakwiye kwama bwateguye imigambi butegekanya kurangura bukayishikiriza Ubushikiranganji bujejwe imigambi ya Reta ;
- Ubushikiranganji bwose burakwiye kuba buserukiwe mw'ikomine kugirango bukurikirane imigambi ibwerekeye irangurirwayo.

Inama nshikiranganji yasavye ko iyo ntegro yogaruka ikemezwa mu nama nshikiranganji hamaze kwinjizwamwo ivyerekeye ubushikiranganji bunyuranye vyoba vyaribagiwe.

3. **Integuro y'itegeko rishiraho rikongera rigatunganya inzego zishira mu ngiro Umugambi w'igihugu w'iterambere zikongera zigasuzuma ishirwa mu ngiro ryawo,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Iyi nteguro ije gushiraho izo nzego kugirango uruhara rwa bamwe bamwe bose rutomorwe.

Ishirwa mu ngiro ry'Umugambi w'igihugu w'iterambere risaba inzego ku ngero zibiri :
- Umugwi w'igihugu ujejwe gutunganya ibikorwa no gukurikirana ingene imigambi iriko irarangurwa, urongowe n'Umushikiranganji wa mbere.
- Ubushikiranganji n'ibisata vy'ubuhinga bishira mu ngiro uwo mugambi mu gisata kimwe kimwe kandi ku nzego ziri mu gihugu hagati.

Izo nzego zizorangura imirimo yazo zifatanije n'abo bose bakorera mu bisata binyuranye mu gihugu.

Uwo mugwi w'igihugu urafise ubunyamabanga bukorana n'ibisata binyuranye bisanzwe bihari bijejwe itunganywa ry'imigambi no gukurikirana irangurwa ryayo.

Ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere nibwo busuzuma ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi, bubicishije ku bunyamabanga bujejwe ivy'ubuhinga.

Ubushikiranganji bujejwe iterambere rusangi nabwo bushira mu ngiro uwo mugambi ku rwego rwo mu gihugu hagati, mu gihe ubushikiranganji bundi bakurikirana ishirwa mu ngiro ryawo umwe wese mu gisata kimwega.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro ikanayitosora mu duce tumwe tumwe, yarayemeje.

4. **Urwandiko rwerekana ibisabwa umunyamutahe kugirango Ikigega cishinga abanyamitahe bato bato « Fonds d'Impulsion, de Garantie et d'Accompagnement » FIGA mu mpfunyapfunyo kimwishinge,**

yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere.

Mu gushiraho itegeko n°100/038 ryo ku wa 18 Ruhuhuma 2021 risubiramwo itegeko n°100/116 ryo ku wa 21 Ndamukiza 2015 rishiraho Ikigega cishinga abanyamitahe bato bato « Fonds d'Impulsion, de Garantie et d'Accompagnement » FIGA mu mpfunyapfunyo, Reta yashatse gushira mu ngiro icemezo yihaye co gushigikira imigambi y'iterambere ishikirijwe n'urwaruka n'abakenyezi.

Nkako, imwe mu ngorane nkuru zishikira abanyamitahe mu Burundi, ni ukubura ingwati kugirango baronke amadeni.
Igikorwa nyamukuru c'Ikigega FIGA ni ukwishinga imigambi y'urwaruka n'iy'abakenyezi kibicishije mu ma Banki yabo, aheruka gushingwa.

Kubera ko urwego nshingwantwaro rw'Ikigega FIGA rutarajaho kugirango rwemeze ivyo gishikirije, kandi umwaka ukaba uriko uriterera, birakenewe ko Reta yokwemeza ibisabwa umunyamutahe kugirango Ikigega FIGA kimwishinge, kugirango Ibanki y'urwaruka itangure gutanga ingurane ku rwaruka rukeneyeko Ikigega FIGA kirwishinga.

Hari ubwoko butatu bw'ingene Ikigega FIGA gishobora kwishinga :
- Kuvugana hagati y'Ikigega cishinga, uwo cishinga, be n'ibanki,
- Ikigega cumvikana n'ibanki urugero rw'umutahe kizishinga kandi bakaba bazi ibisata abazoronswa imitahe bazoba bakoreramwo,
- Ikigega cishinga ishirahamwe ryo kuguranana (microfinance) rigasaba ideni muri Banki rigaca ritanga ingurane ku banyamitahe bato bato canke ku barimyi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, yabonye uburyo bwiza ari uko Ikigega FIGA arico cokwumvikana n'Ibanki y'urwaruka ku mutahe kizishinga. Kandi kugirango uwahawe canke uwishingiwe ideni be n'Ibanki babone ko hari ico babazwa, na cane cane Ibanki igire umwete mu kwishuza, Ikigega FIGA kizokwishinga abafashe amadeni ku rugero rukurikira:
- Ku migambi iva ku muliyoni umwe gushika ku miliyoni cumi, Ikigega FIGA kizoyishinga yose (100%).
- Ku migambi iva ku miliyoni cumi gushika ku miliyoni mirongo itatu, Ikigega FIGA kizoyishinga kugeza ku bice mirongo umunani kw'ijana (80%) , mirongo ibiri kw'ijana navyo bigaburwe n'ibanki n'uwaronkejwe ideni ku rugero rungana (10% umwe umwe) .
- Ku miganbi iva ku miliyoni mirongi itatu gushika ku miliyoni mirongo itanu, ikigega FIGA kizoyishinga ku rugero rw'ibice mirongo itanu kw'jana (50%), mirongo itanu kw'ijana bisigaye navyo bigaburwe n'ibanki n'uwaronkejwe ideni ku rugero rungana (25% umwe umwe).

5. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/082 ryo ku wa 12 Gitugutu 2020 ritunganya ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Itegeko n°100/082 ryo ku wa 12 Gitugutu 2020 ritunganya ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano riravuga urutonde rw'ibisata bikukira ubwo bushikiranganji.
Muri urwo rutonde, Ikigega kijejwe gutanga ingurane ntonto ku benegihugu (Fonds de Micocrédits Rural) caribagiwe. Iyi nteguro ije gutosora ako kanenge.

Vyarabonetse kandi ko iryo tegeko ritunganya Ubushikiranganji ryashizeho ubuyobozi bubiri , ni ukuvuga Ubuyobozi bujejwe iyegeranywa ry'uburyo mu makomine bukukira Ubuyobozi bukuru bw'iterambere rusangi no kwegereza ubutegetsi abenegihugu, be n'ubuyobozi bujejwe ubutunzi bw'amakomine bukukira Ubuyobozi bukuru bujwe intwaro n'ibigega.

Vyaribonekeje ko ubwo buyobozi bubiri bufise imirimo isa.
Mu ntumbero yo kugirango ntihabe ukwinjiranamwo mu bikorwa, iyi nteguro itegekanya ko hasigara ubuyobozi bumwe bujejwe ubutunzi bw'amakomine.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro ikanayunganira, yarayemeje.

6. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/158 ryo 23 Nyakanga 2008** ritunganya Ikigega kijejwe gutanga ingurane ntonto ku benegihugu (Fonds de Micocrédits Rural), yashikirijwe n'Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano

Ibikorwa vyo kugwiza umwimbu mu gihugu hagati birahura n'ibibazo bijanye no kuronswa uburyo. Abarimyi bahura n'ingorane z'ubwoko butatu:
- Ntibafise ubumenyi bukwiye bwo gutegura imigambi ishobora gushigikirwa n'amabanki mu kubaha ingurane
- Barabura ingwati bashobora gutanga mu mabanki
- Amabanki asaba inyungu z'umurengera kw'ideni atanze

Ariko biragoye kwiyumvira kuduza umwimbu hatabonetse imigambi mitomito ishobora kwinjiriza amafaranga abenegihugu.

Mu kugerageza gutora inyishu kuri ico kibazo, mu mwaka w'2002, Reta yarashizeho Ikigega kijejwe gutanga ingurane ntonto ku benegihugu (Fonds de Micocrédits Rural), gisubira gutunganywa bushasha mu mwaka w'2008.

Kubera ubushikiranganji ico kigega cakukira butakihari, birakenewe ko itegeko ritunganya ico kigega risubirwamwo, bigatomorwa ko gikukira Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Mu ntumbero yo kugabanura uburyo bukoreshwa mu mirimo ya minsi yose y'ico kigega ahubwo bushobore gufasha abenegihugu benshi, ibisata (départements) vyahora bigize ico Kigega vyahinduwemwo Ibiro (Services).

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora mu duce tumwe tumwe.

7. **Integuro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya Ubuyobozi mu ntara bujejwe iterambere ry'ingo n'imibano,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe gushigikirana, ibibazo vy'imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira.

Ibigo bijejwe iterambere ry'ingo n'iterambere rusangi vyagiye birahindagurika mw'itunganywa ryavyo, ivyo bituma bitarangura neza imirimo yavyo.

Ariko vyaribonekeje ko kugirango imigambi n'ibikorwa ubwo bushikiranganji bujejwe birangurwe neza, biva ahanini k'ukugene ivyo bigo biba biriko birakora.

Kubera bijejwe kwigisha no guhimiriza ibijanye n'iterambere rusangi n'imibano mu gihugu, birakenewe ko imirimo, uruhara n'ico ivyo bigo bihamagarirwa bisubira bigatunganywa neza, kugirango navyo bishobore gukora neza.

Ni muri iyo ntumbero itegeko n°100/084 ryo ku wa 12 Gitugutu 2020 ritunganya ubushikiranganji bujejwe gushigikirana, ibibazo vy'imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira rihindura ivyo bigo rikabigira Ubuyobozi bujejwe iterambere ry'ingo n'imibano.

Iyi nteguro ije gutunganya ingene ubwo buyobozi bwokora.

Inama nshikiranganji yari yarihweje iyo nteguro irayisubiza inyuma kugirango isubirwemwo neza nko mukwisunga ingene ibisata vyo muri ubwo bushikiranganji bitunganijwe, no kuraba ko iyo nteguro itoza isaba uburyo budasanzwe bwarategekanijwe mu mahera Reta izokoresha uyu mwaka.

Abashikirangani bahejeje guhanana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, bakayunganira bakanayitosora, barayemeje, mu vyasabwe hakaba ari uko ubwo buyobozi mu

ntara bwogira abakozi, ku buryo ibisata bigize ubwo bushikiranganji ari vyo: gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira, kimwe kimwe kiba gifise uwugikurikirana. Nta bakozi bashasha bazoronderwa kuko bazokwikora ku basanzwe bari mu bushikiranganji, canke bababakure ahandi bari, bibaye ngombwa.

8. **Integuro y'itegeko ritunganya gushasha Ikigo kijejwe kurangurira Igihugu imiti ihinguwe mu buryo buzimbutse(medicaments génériques), ibikoresho vyo kwa muganga n'ivyo mu masuzumiro arico CAMEBU mu mpfunyapfunyo,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu, no kurwanya Sida.

Ikigo CAMEBU cashinzwe mu mwaka w'2000, gihabwa umurimo nyamukuru wo kurangura imiti nkenerwa ihinguwe mu buryo buzimbutse (médicaments génériques), ibikoresho vyo kwa muganga no mu masuzumiro bikenewe, kugirango amavuriro n'ibitaro vya Reta n'ivy'abigenga hamwe n'amamangazini y'imiti bikore neza.

Ubu hari vyinshi vyotuma itegeko rishinga Ikigo CAMEBU rihinduka:

- Izina cahawe rigiha ububasha bwo kurangura imiti ihinguwe mu buryo buzimbutse (médicaments génériques) kandi ubu gihamagarirwa kurangura n'iyindi miti
- Kuva mu mwaka w'2000, hari vyinshi vyahindutse mu gisata c'imiti CAMEBU isanzwe ikoreramwo, nk'amategeko atunganya ico gisata, ishingwa ry'igisata kijejwe gukurikirana imiti ivura abantu, be n'ibifungurwa ,« ABREMA » mu mpfunyapfunyo, n'ibindi,
- Kuja ku rugero rw'ibindi bisata bigize ishirahamwe « ACAME » rihuza ibisata birangurira imiti ibihugu CAMEBU isanzwe irimwo. Nico gituma iyi nteguro isaba ko Ubuyobozi bw'ubuhinga bwogabugwamwo kubiri hakaba Ubuyobozi bujejwe kurangura imiti, n'ubuyobozi bujejwe ububiko bw'imiti.

Ivyo nivyo iyi nteguro itunganya gushasha Ikigo CAMEBU ije yisunga.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro ikanayitosora mu duce tumwe tumwe, yarayemeje, kimwe mu vyo yasavye akaba ari uko imiti yinjira mu gihugu nk'imfashanyo yofasha ahanini muri wa mugambi wo kuvura abantu ku buntu.

9. **Utuntu n'utundi**

❖ Abashikiranganji barahanahanye ivyiyumviro ku bijanye n'ikibazo co kwegereza ubutegetsi abengihugu. Bahejeje guca hirya no hino ingene bimeze mu bushikiranganji bunyuranye, basanze vyifashe uku gukurikira :

- Hari ubushikiranganji bumaze gushika gukorera no mu makomine, igisigaye akaba ari ukwongererezwa uburyo n'abakozi.
- Hari ubushikiranganji bukorera mu ntara canke mw'ikomine bivanye n'igikorwa gikenewe kuharangurirwa.
- Hari aho bikenewe ko ubushikiranganji bwegerezwa abenegihugu ariko bikaba bitaratangura. Aho busabwa kwegerenya ibikenewe no kwiha ikirangaminsi kugirango ico gikorwa gitangure vuba.

Inama nshikiranganji yaciye imenyeshwa ko hari icigwa kiriko kirakorwa mu Bushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano, mu ntumbero yo kuraba ko ubutegetsi bwokwegera koko abenegihugu, kugirango ubushikiranganji bwose bube bwisanga muri Komine.

Kabaye n'akaryo ko kwibutsa ko amashirahamwe ya Reta afatwa co kimwe n'ubuzi bwa Reta bwegerejwe abenegihugu, ko rero Abashikiranganji bayajejwe bategerzwa kuyakurikiranira hafi kugirango barabe ko ariko arangura neza imirimo yayo.

❖ Inama nshikiranganji yaramenyeshejwe kandi ibijanye n'amashirahamwe amw'amwe yagiriza inzego za Reta ko zoba zifise uruhara mu rudandazwa rw'abantu, bafatiye ku bakenyezi n'abigeme bahora bahagarikwa mu gihe baba bariko bajanwa mu bihugu vyo mu Kigobe c'Abarabu.

Imaze kwihweza ingene ibintu vyifashe, Inama nshikiranganji yasanze ko mu Burundi ata rudandazwa rw'abantu ruriho.Ariko kubera ubwigenge bw'uruja n'uruza bwemewe mu Burundi, Inama nshikiranganji iremeza ko hari abantu baja mu bihugu vy'Abarabu kurondera akazi. Abo bantu bari mu mice itatu :

- Abagendayo ku mugaragaro bafise vya ngombwa bikwiye kandi vyemewe n'amategeko,
- Abagenda batagira ivya ngombwa canke bafise ivya magendo
- Abagenda kubera ukurangara canke ugusamara mw'isuzuma ry'impapuro zisabwa canke mu gufashwa n'abakozi bamwe bamwe bo mu buzi bwa Reta mu kuronka impapuro kandi batazirekuriwe.

Inama nshikiranganji yaribukije ko ata nzego za Reta zifise uruhara muri ico gikorwa co gutanga impapuro mu buryo butarekuwe n'amategeko. Niba hari uyu canke uriya abigiramwo uruhara ni kugatwe kiwe. Nico gituma abafashwe muri ayo makosa bama bahanywe hisunzwe amategeko.
Inama nshikiranganji yaravuniye akagohe ubushikiranganji bw'ubutungane kuraba neza ingene benivyo vyaha vyitwa mu gihe c'amatohoza.

Inama nshikiranganji yarasubiye kwemeza ko yishinze kwubahiriza agateka ka zina muntu muri rusangi na cane cane kurwanya urudandazwa rw'abantu. Ivyo bigaragarira mu masezerano mpuzamakungu ajanye no kurwanya ayo mabi Uburundi bwemeje, be n'ibwirizwa n° 1/28 ryo ku wa 29 Gitugutu 2014

ryerekeye gukinga no guhasha urudandazwa rw'abantu, no gukungira abo ayo mabi yakorewe.

- ❖ Inama nshikiranganji yaramenyeshejwe kandi ibijanye n'amashirahamwe amw'amwe ariko ahimiriza abantu kutipimisha umugera wa koronavirusi kugirango urandagare mu gihugu, hanyuma babone kugondoza Reta ngo irondere incanco.

Inama nshikiranganji yarasubiye kwemeza ko uburyo bwiza bwo kwikingira umugera wa koronavirusi ari ukwipimisha no gukurikiza ingingo zafashwe na Reta zo kuwikingira, ibijanye n'urucanco navyo bizokorwa mu gihe bizoba bimaze kugaragara ko rukinga koko, bimaze kwemezwa n'ishirahamwe mpuzamakungu OMS rijejwe amagara y'abantu. Kanatsinda no mu bihugu urwo rucanco rwabaye, n'abaruronse baguma bugaranywe nk'abandi.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 22 Ndamukiza 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta kaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE